Bibiliya y'Abana

Ishikirije

Imana yubahisha Yozefu umugurano

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
M. Maillot; Lazarus; Alastair Paterson

Itunganywa na: M. Maillot; Sarah S.

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org

©2022 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.

Yozefu yari yafunzwe arenganijwe n'umukoresha wiwe Potifari. Mw'ibohero, Yozefu yarubaha abandi kandi akabafasha. Uwuraba ibohero aramwizera ngo aze aratunganya ibibera mw'i bohero vyose. Kuko Imana yarikumwe na Yozefu, ibohero rihinduka ikibanza ciza kuri bose.

Uwateka imikate n'uwaraba ivy'uburaro vy'umwami nabo bari bafunzwe. Yozefu arababaza ati: "Ni kuki mushavuye gutyo kwose?" Nabo baramwishura bababaye bati: "Twabuze umuntu
n'umwe yoshobora kudusigurira indoto twarose."

Yozefu aca abishura ati: “Imana irashobora kuzisigura! Nimumbarire izo ndoto zanyu.”

“Izo ndoto zawe zisigura ko mumisi itatu, Farawo azogusubiza kukazi kawe” Yozefu abwira umukuru w’ivy’uburaro. “Uze unyibuke unsabire Farawo andekure.” “Indoto y’uwukora imikate yoyo irimwo inkuru mbi.” Uzokwicwa mumisi itatu, ari Yozefu abimubarira.

Maze izo ndoto zishika uko nyene Yozefu yazisobanuye.

Ariko umwe yaraba ivy'uburaro kwa Farawo aramwibagira gushika aho Farawo nawe yavyutse azazaniwe.



Aravuga ati: "Narose indoto mbi" Mubapfumu n'abanyamareba biwe,

ntihashobora kuboneka uwushobora gusobanura iyo ndoto ya Farawo. Ico gihe niho umwe araba avy'uburaro bw'i bwami yaca yibuka Yosefu. Aca umubwira Farawo.

Farawo aca arungika abaja kuzana Yozefu ubwonyene. Yozefu abarira Farawo ati: “Indoto yawe ni ubutumwa buvuye ku Mana. Egiputa izogira imyaka indwi myiza yo kwimbura, hanyuma hazokurikira imyaka indwi y'amapfa.”

Yozefu aca ahanura Farawo ati: “Tegura guhera ubu mwegeranye imfungurwa kumara iyo myaka indwi myiza yo kwimbura igiye kuza.”
“Canke naho utabikoze uko, abantu bawe bazokwicwa n’inzara.”

Farawo aca avuga
k'umugaragaro ati:
"Imana irikumwe
nawe. Uzoba
uwuganza Egiputa.
Jewe gusa
ni je nzoba
hejuru yawe."

Ya myaka indwi myiza y'umusesekara irashika.
Hanyuma hakurikira imyaka ndwi yindi y'amapfa.
Amapfa atera hose kiretse muri Egiputa kubera hoho bari bashoboye kuziganya ibizobatunga. Mugihugu ca kure iyo Yozefu yavuka, umuryango wa Yakobo wari wishwe n'inzara.

Abantu bava mubihugu vyose baza muri Egiputa kugira ngo basume ingano. Yakobo abarira abahungu biwe ati: "Namwe mutegerezwa kujayo gusuma."
Bashitse muri Egiputa, bakuru we bariko baritegura ngo basume ivyo kudya.

Abahungu ba Yakobo bunamira umukuru ahambaye wo muri Egiputa yakurikira Farawo. Ntibamenya ko ari Yozefu. Ariko Yozefu wewe yari yabamenye. Yozefu aca yibuka zandoto yigera kurota akiri muto. Imana yari yamushize hejuru ya bakuruwe bose.



Yozefu yari aciye ubwenge cane.
Avugana ubwenge bwishi na bakuruwe
hanyuma aca asigarana mukuru
we Simiyoni nk'uwumugize
imbohe. Yozefu abategeka
ati:

“Ni mwakire imfungurwa, musubire iwanyu hanyuma munzanire umuhererezi wanyu. Niho nzomenya ko mutari abatasi.”

Abo bavukana na Yozefu
baciye babona ko ari Imana
ishatse kubahana kuko bari
baramaze kugurisha Yozefu
mumyaka yaheze.

Yakobo n'abahungu biwe baragize ubwoba cane. "Amahera yacu bayadusubije mumifuko yacu y'ingano. Kandi umukuru aganza ico gihugu yadutegetse gusubirayo tujanye Benyamini."

Ariko Yakobo aranka ko bajana Benyamini. Munyuma babura ivyo bafungura. Abo bavukana bategerezwa gusubira muri Egiputa gusuma maze Benyamini asubiranayo nabo.

Yozefu abonye Benyamini, ategeka abakozi biwe ko bategura inzimano nziza cane. N'abo bavukana bari batumiwe. "Mbega so wanyu aracariho?" Yozefu ababaza. Kumbure yariko yiyumvira ingene ashobora gukoranya umuryango wose ubugira kandi.

Yozefu yipfuza kandi kumenya ko bakuruwe bicuza vy'ukuri kuvyo bari bamukoreye muri kahise. Bahejeje iyo nzimano, aca abagiriza ko bivye. "Kugira ngo tubahane, Benyamini ndamusigarana ndamugize imbohe." Ari yozefu ababwira. Yuda nawe aramwinginga ati: "Mwami wanje, pfuma usigarana jewe nawe umureke". Yozefu amenya ko Yuda, uwari yabwiye abandi ko bogurisha Yozefu, ko yari yahindutse vy'ukuri.

Bimunaniye kunyegeza urukundo akunda umuryango wiwe igihe kirekire, Yozefu yereka abanyegiputa bose abo bavukana, maze aca ararira.
"Ndi Yozefu umuvukanyi wanyu uwo mwagurishije muri Egiputa."
Batangaye kandi buzuye ubwoba, abo bavukanyi biwe ntibaronse ico bavuga.

Yozefu aremesha abo bavukana.
“Imana yampinduye Umwami
wa Egiputa
kugira ngo nshobore
kurokora ubuzima
bwanyu muri ano mapfa.
Genda muzane Data
wacu. Nzobitwararika.”

Yakobo na Yozefu
baba hamwe muri
Egiputa n'umuryango
wose maze babayo
amahoro ataco bakenye.

Imana yubahisha Yozefu umugurano

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Itanguriro 39 - 45

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

Iherezo

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16